REPUBLIQUE DU BURUNDI

Bujumbura, le 20/03/2020

MINISTERE DE LA SANTE PUBLIQUE
ET DE LA LUTTE CONTRE LE SIDA
CABINET DU MINISTRE

N° 630 / 1218/CAB/2020

V/ Réf/

N/ Réf/

Objet : **ITANGAZO RY'UBUSHIKIRANGANJI BWO KUBUNGABUNGA AMAGARA Y'ABANTU NO KURWANYA SIDA RYEREKEYE INGINGO ZO GUKINGA IKIZA CA CORONAVIRUS:**

IGENEKEREZO RYA 20/03/2020

Mu rukurikirane rw'ingingo zo gukinga ikiza ca Coronavirus, Ubushikiranganji bwo Kubungabunga Amagara y'Abantu no Kurwanya Sida buramenyesheje abarundi baba mu mahanga canke abanyamahanga baba mu Burundi biciye mu mategeko, basanzwe bari mu bindi bihugu muri iki gihe, ibi bikurikira:

- ko boba baratenyenya gutaha, mu kurindira ko tubategurira neza ibibanza bategerezwa kumaramwo iminsi 14 basuzumwa;
- Ko kandi, Kuva iyi ngingo itangajwe, abazotaha bose bazokwirihira aho bazoshikira, hamwe n'ibibabeshaho.

Ubushikiranganji bwo Kubungabunga Amagara y'Abantu no Kurwanya Sida busubiye kwibutsa abenegihugu kubandanya bakwirikiza neza impanuro zose zo kwirinda ikiza ca coronavirus arizo z'izi:

-Kwitaho gukaraba n'amazi meza n'isabuni, igihe cose mu kwinjira no mu gusohoka, mu bibanza bihuriramwo abantu benshi.

-kwirinda kuramukanya dukorana mu minwe canke tugwana mu nda muri ibi bihe vyo gukinga ikiza ca Coronavirus.

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 20 Ntwarante 2020

IBIRO VY'UMUSHIKIRANGANJI WO KUBUNGABUNGA AMAGARA Y' ABANTU NO KURWANYA SIDA

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Ministère de la Sante Publique et de la Lutte Contre le SIDA
Cabinet du Ministre
B P 1820
BUJUMBURA